Bible lessons. Lesson 33 TEENAGE DREAMER

**Genesis 37: 1-36**

**Memory verse: "For the vision is yet for an appointed time, but at the end it will speak, and it will not lie. Though it tarries, wait for it because it will surely come, it will not tarry." Habakkuk 2:3**

**UMUSORE KAROSI**

Icirwa ca 50

**Itang. 37:1-36**
Umurongo ngenderwako : ***« ivyerekanywe bifise igihe vyanshingiwe kandi vyihuta kugishikako, ntibizobesha, naho vyoteba, ubirorere, kuko bitazobura kuza***, ntibizoteba. » **Habak. 2:3.**

**I. Intangamarara**
Inyigisho ku nkuru yuyu musore Yosefu irakora ku mitima ya benshi. Tugiye gufata igihe tumwitegereza twongere tumwigireko :

1. Uburyo yafashwe nabi nabenewabo, aragurishwa agirwa umugurano, yagirizwa ivyaha atakoze, ahabwa ibihano vyo gufungwa arenganywa...
2. Tuzoraba ingene uyu Yosefu yashoboye kugira umutima wo kubabarira benewabo ataco abasavye, tubone ukwizera kutanyiganyiga ku Mana yiwe mu bihe bitoroshe… ingene yabaye umwizigirwa ku Mana kandi itigera ivugana nawe imbonankubone nkuko yabikora kuri Aburahamu, Isaka na Yakobo se wiwe.
3. Bibiliya isezerano rya kera ryerekana abantu 2 batigeze baboneko agasembwa mu buzima bwabo igihe cose baba bari mu mageragezwa no mu gihe baba bajanywe mu bihugu vy'abapagani. Umwe ni **Yosefu** uwundi na **Danieli**. Iki kiratwereka ko uwakijijwe bidashoboka ko yongera kurwa naho ibikomeye vyomushikako.

II**. Yakobo akundwakaza umuhungu wiwe Yosefu**.
Yosefu yari yavutse nk'abandi bana, akwije imyaka 17, aba umwungere w'intama za se. Uyu nawe yaramukunda cane kuko yama amubwira amakosa benewabo bama barakora naho se ataco yabikozeko ari naco catumye bacika abicanyi, Imana igakinga. **Imig. 29:15b**, « *Ariko umwana bapfa kurekera aho, atetereza se* » Yosefu yari umunyakuri.

- Ikindi ni uko yari umwana yubaha se kandi akaba yamuronse mu butama. Ni ivyumvikana kuri bose, umwana yubaha akumvira abavyeyi arakundwa ni nako

Imana imeze, irakunda abayumvira. **Yob.36 :7** « ***Ntaho ikura inyonga zayo ku bagororotsi*** »

-Yakobo yamubaririje umwambaro w'amaraba. Mu mico y'abayuda, umwambaro nk'uyu wambara abana babatware canke abatunzi « les nobles » uwaba awufise, yaba atinyitse mu bandi bose. Ni ikigereranyo c'ingene Imana izokwambika abo bose bayumvira bakayikorera. **Ivyah. 7:9c** « …*bahagaze imbere yiyo ntebe n'imbere y 'Umwagazi w'Intama bambaye* ***imyambaro yera,*** *bari n'amashami y'ibigazi mu minwe »*

**III. Inzigo ya benewabo na Yosefu**
Benewbo baramwanka kugeza aho bafata umugambi wo kumwica. Aba ntibashobora kumubwira ijambo « Shalom=Amahoro » nuwobivuga ntivyaba bivuye ku mutima. Bari abicanyi. **1 Yoh. 3:15** «***Uwanka umuvukanyi wundi ni umwicanyi***, ***kandi murazi ko ata mwicanyi yogira ubugingo budashirango bugume muri we***» nico gituma ijambo ry'Imana ridusaba gukundana. Aba bamwanse bamuhora ivyo arose, ishari ngo : azotuganza. Biyumviye ngo bagira baburizemwo umugambi w'Imana. Haraho ivyago bigushikana kugutabarwa.

**IV. Indoto za Yosefu**
Yisinziriye, ararota. Abibwira se na benewabo. Ntiyari azi nico bisobanura.

• Indoto za mbere : zerekana Ko azoba umugisha mu muryango wa se wose.
• Indoto za kabiri: Zerekana ko azoba umuyobozi w'umuryango wa Yakobo : inyenyeri 11 bari abo bavukana. Ukwezi : mama wiwe, Izuba : se wiwe. Ibi kuvyumva baciye bamenya ico bisobanura, bibatera inzigo y'ubugesera kuri we.

**V. Umutima w'ubwicanyi wa benewabo na Yosefu**
Aba bahungu bari abanyangeso mbi imbere y'Imana. Yakobo abwira Yosefu ati : « Benawanyu bari kuragira, ehe bashire ivyokurya, uzugaruke umbwira uko bamerewe » nawe ati : « Ego Data ndagiye » abanyavyaha, babonye uwubazaniye ivyokurya, hakunezerwa, bati « Ni muze tumwice, tumuterere mu rwobo rumwe muri ibi…tuzovuga ko… » **Itang. 37:20,**
Igiti kibi cama ivyamwa bibi nyene. Umugambi mubi barawutegura n'ingene bawushira mu ngiro kandi barabishikako bamuta mu rwobo, baraheza baricara kuri nza ndrya barazimiragura. Yosefu ntiyabuze kuboroga atabaza ngo bamutabare, barinumira. Niho babona abacuruzi b'Abashimayeli bavuye gusuma baca bababamugurishako intete z'ifeza mirongo ibiri. .

**VI. Umwambaro umvumbagazwa/ ikinyoma mu muryango wa Yakobo kibandanya**

Aba banyeshari baciye bica impene bavumbagaza umwambaro wa Yosefu mu maraso bawurungikira se ngo ni igikoko camuriye. Uku niko Satani yama yipfuza kukwambura umwambaro w'agakiza wahawe na Yesu ngo awuvumbagaze. Mugabo, ico Imana yagusezeraniye ntikizohinduka, ahubwo kirihuta kugushikako niyo waguma m'ukuri.

Aba bahungu bategura ikinyoma gikomeye bahenda se, nkuko nawe yahenze se Isaka. Ico ubiba nico uzimbura. Yakobo yabanye agahinda gakomeye ku mwana wiwe yibwira ko yapfuye urupfu rubi, aravuga ati : *« Nzorinda mpamvya umwana wanje i kuzimu nkirira* » **Umur. 35**.
- Nico gituma ijambo ry'Imana ridusaba kuvuga **ukuri** naho kwogutwara ikiguzi gikomeye gute, kuko uko uvuga ikinyoma mu kanwa kawe, bitebe bitebuke nawe bazoguhenda nkuko nawe uhenda abandi. Ni kimwe ku kindi.

**VII. Gushira mu ngiro**.
Hari inyigisho ikomeye dukura ku buzima bwa Yosefu :
- **Kuri Yakobo** : Naho tugeze mu gihe ca nyuma kigoye, birasaba ko abavyeyi bama baratanga impanuro, inyigisho, indero ku bana babo, ntibareke ngo iterambere rirahari ngo ni bakore ivyo bishakiye. **Imig. 23:13 «** *Ntureke guhana umwana, kuko atokwicwa n'uko umukubise inkoni.* **»**
-Kuri benewabo ba Yosefu, ntukagirire ishari uwo Imana ishize hejuru canke ngo wipfuze kumugirira nabi kuko naho wobigerageza ntiwobishikako. Imana iyo ivuze, ntakiyibuza kubishikako.
-Yosefu yabaye umwizigirwa mu mibabaro atewe na benese, Uyu ni icitegererezo ca Yesu Kristo. Yari umwana akunzwe kwa se, avukira mu muryango wa Yuda ariko aba nyene nibo bamutanze k'umusaraba. Nkuko Yosefu yabaye inyishu kuri benense mu gihe c'inzara niko na Yesu yabereye ab'isi inyishu ababera umutsima w'ubugingo.

Nawe mweneda ukaba hari ishari ufitiye mwene so umenye ko uboneka nk'umwicanyi imbere yiwe, ico womenya ni uko utazobuza Imana gushitsa ico yamuteguriye. Hamwe nivyo, niba urimwo urashobora guhagarara, ukatura ivyaha vyawe ubu nyene Yesu arakubabarira.